IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

IRIMA RY'IBIHARAGE

TWOFUMBIRA GUTE?		IBINGANA GUTE?	RYARI ?	GUTE ?
Gushiramwo ishwagara mu gihe isi ifise uburakari		Ibiro mirongo itatu vy'ishwagara yoroshe kandi yumutse kuri are imwe uko imyaka ibiri iheze	N'imiburiburi indwi zine (ukwezi) Imbere yo guteragira	Kumija neza mu busize bagaca bayizika buno nyene
Gufumbira bakoresheje amase w'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega		Kurekera mu murima ibiharageharage	Inyuma y'isarura	Mu kubishira muri nyabarega canke bakabizika mw'irima rikwirikira
		Ibiro 100 vy'amase canke umwavu wo muri nyabarega (ibivumvu 4 vyuzuye)	Mu gihe bariko bararinganiza ubusize imbere y'itera canke igihe c'itera	kuwusanzaza mu murima canke bagaca bawuzika buno nyene
Gufumbira bakoresheje Umwavu w'ikizungu		Ikiro Kimwe c'umwavu witwa DAP kuri are imwe	Mu gihe c'itera	Kuwusanza mu murima bagaca bawuzika buno nyene

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST

Tegera neza : Ingero zirashobora guhinduka bivuye : Ingene ishwagara yoroshe, ubusisire burimwo ingene PH y'isi ingana, Ku mase y'ibitungwa no ku bitabizo bihinguye hamwe n'uburyohe isi yarisangwanywe

IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

INDWARA NKURU NKURU N'UDUKOKO

INDWARA CANKE UBUKOKO	IBIMENYETSO VYAZO	UBURYO BWO GUKINGA	IMITI YO KUVURA	URUGERO RW'IMITI
Ukuyoka kw'imigondoro		- Gukurakuranya neza ibiterwa: ibiharage ntivyosubirira isoja, ubwishaza, inkore, ibiyoba canke ibindi biharage - Gutera imbuto zirobanuye - Gutera imbuto zivanze n'umuti - Gutabira neza kugira ibiharage bimere ningoga vyongere bikure neza - Guteragira kw'isi idatega amazi - Guteragira ku mwanya mwiza - Gukura mu murima ibisigarira vy'ivyimburwa.	Kuvanga imbuto n'umuti witwa Andosilifa 35% PM	Amagarama 2 y'umuti ku biro 2 vy'imbuto
Isazi y'ibiharage		- Gutabira bikwiye kugira ibiterwa bironke inguvu - Kurandura no guhamba ibiterwa birwaye - Gutera imbuto zivanze n'umuti - Kubagara hakiri kare - Gukurakuranya neza ibiterwa: ibiharage ntivyosubirira isoja, ubwishaza, inkore, ibiyoba canke ibindi biharage.	Kuvanga imbuto n'umuti witwa Andosilifa 35% PM	Amagarama 2 y'umuti ku kiro kimwe c'imbuto
Urubobi ariyo Antarakinose		- Gukurakuranya neza ibiterwa: ibiharage ntivyosubirira isoja, ubwishaza, intore, ibiyoba canke ibindi biharage - Gutera imbuto zirobanuye - Gutera imbuto zivanze n'umuti - Kubagara hakiri kare. - Kurandura no kuzika ibiterwa birwaye	Kuvanga imbuto n'umuti witwa Benomile	Amagarama 2 y'umuti ku Kiro kimwe c'imbuto
Impfunya canke imbaragasa arizo Pisero zirabura		Guteragira ku mwanya mwiza	Gupompa umuti witwa Siperemetirine 50 EC canke Desisi EC 25	Mililitiro 10 (n'ukuvuga umuti wuzuye uturumyo tubiri twa fanta) mu malitiro 10 y'amazi kuri are mu gihe 1
			Canke Dimetowate 40 EC	Umuti wuzuye uturumyo tubiri twa fanta mu malitiro 10 y'amazi kuri are mu gihe 1

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST